www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

N° 16 - Munyonyo 2017

INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

# INAMA NSHINGAMATEKA NA NKENGUZAMATEKA BARATEGUYE UMUSI W'AMASENGESHO.





Abarongoye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka barakiriye intumwa z'Inama Nshingamateka y'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa.

Soma kurupapuro rwa 8



Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka baritayeho indero y'urwaruka.

Soma kurupapuro rwa 14



Iyigwa n'iyezwa ry'integuro y'ibwirizwa rihindura itegeko N°1/05 yo kuwa 22 Ndamukiza 2009 rijanye nihindurwa ry'itegeko mpanavyaha.

Soma kurupapuro rwa 17

Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD

**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07



Hon. Spéciose CIMPAYE
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Angèle CIZA
Kirundo- Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Claver COYITUNGIYE
Karusi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Fleurette DUKUNDANE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Léocadie GAFURERO
Bubanza-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Séraphine GAKOBWA
Makamba - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Odette HABONIMANA
Rumonge - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Léopold HAKIZIMANA
Kayanza - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Pascal HAKIZIMANA
Muyinga-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Godeberthe HATUNGIMANA
Rutana - Tutsi-Mizero Y'Abarundi



Hon. Vénant HATUNGIMANA
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Ferdinand HAVYARIMANA
Gitega - Tutsi-Mizero y'Abarundi



Hon. Juvénal HAVYARIMANA
Bubanza-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Mireille INABIGENDERA
Karusi - Tutsi-Mizero Y'Abarundi



Hon. Caritas IRAKOZE
Makamba - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Lydia IRAKOZE
Mairie- Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Joséphine IRAMBONA
Karusi - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Georges KABANGO
Karusi - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Ange Denise KAMERE
Muyinga-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Denis KARERA
Gitega-HUTU CNDD-FDD



Hon. Amédée RUCARAGI
Gitega-HUTU- CNDD-FDD



Hon. Uziel KUBWIMANA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD



Hon. J. Claude KWIZERA
Mwaro -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Pamphile MALAYIKA
Muyinga- Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Pascasie MANIRAKIZA
Ngozi-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Térence MANIRAMBONA
Gitega - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Sauda MBONEKO
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Noé MBONIGABA
Ruyigi-Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. François MBONIHANKUYE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adolphe MBONIMPA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Gilbert MBONINYIBUKA
Makamba-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Amedée MISAGO
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD



Hon. François MPITABAVUMA
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Xavière MUHIMPUNDU
Karusi - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Jean Bosco MUHUNGU
Rutana - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Léonidas MUKESHIMANA
Rumonge-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Euphrasie MUTEZINKA
Kirundo-Tutsi
Mizero y'Abarundi



Hon. Lazare MVUYEKURE
Gitega-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Persille MWIDOGO
Ngozi-Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Claude NAHAYO
Ngozi-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Immaculée NAHAYO
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Gélase NDABIRABE
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Zénon NDARUVUKANYE
Bujumbura - HUTU
CNDD-FDD



Hon. Canesius NDAYIMANISHA
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Juvenal NDAYIRAGIJE
Rutana - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Bernard NDAYISENGA
Mairie - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Emmanuel NDAYISHIMIYE
Bururi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. André NDAYIZAMBA
Bururi-Tutsi
UPRONA



Hon. Gloriose NDAYIZEYE
Gitega- Hutu
CNDD-FDD



Hon. Angele NDIHOKUBWAYO
Bururi - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. P.Célestin NDIKUMANA
Bujumbura-Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Gilbert NDUWAYO
Makamba-Hutu CNDD-FDD



Hon. Dévote NDUWIMANA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Déogratias NDUWIMANA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rénovat NDUWUMWAMI
Makamba - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Anglebert NGENDABANKA
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Egide NGERAGEZE
Ruyigi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ladislas NINDEREYE
Muramvya - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Gloriose NIMENYA
Rumonge-Tutsi UPRONA



Hon. Godelieve NININAHAZWE
Mwaro - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Felix NIRAGIRA
Ngozi- Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Justin NIYOBUHUNGIRO
Cibitoke - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Justine NIYONGABO
Cankuzo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Lewis NIYONGABO
Mairie - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Gloriose NIYONSENGA
Kirundo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Constantin NIYONZIMA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Salvator NIYUKURI
Rutana-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Emmanuel NKUNZIMANA
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Claude NKUNZIMANA
Ruyigi- Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Olive NKUNZIMANA
Ngozi -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Georges NSHIMIRIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD



Hon. M. Chantal NSHIMIRIMANA
Ngozi- Twa



Hon. M. Jeanne NTAGAHORAHO
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Apolinaire NTAHIMPERA
Muramvya- Hutu-CNDD-FDD



Hon. Hilaire NTAHOMVUKIYE
Kayanza - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa



Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ruth NTIBASHAKWA
Cibitoke - Hutu-NDD-FDD



Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Zaïnabu NZEYIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD



Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa



Hon. Ildephonse TURIMUMUGABO
Muyinga -Hutu-CNDD-FDD



Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD



Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

# Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka barateguye umusi w'amasengesho



Ayo masengesho yahariwe igihugu agira aya 12 uyu mwaka wa 2017 yateguwe ku civugo: « Tube akarorero k'ihinduka twipfuza kubona». Ayo masengesho akaba ategurwa buri mwaka n'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka akaba yitabwa n'abategetsi bakuru b'igihugu uhereye kuri Nyakubahwa Umukuru w'Igihugu cacu c'Uburundi.

Uwo musi w'amasengesho ukaba ufise inkomoko muri Leta zunze Ubumwe za Amerika, kaba ari akaryo ku barongozi b'igihugu ko guhurira ku gisabisho bashize kuruhande ivyo badahurizako vya politike, amadini, ubwoko n'ibindi. Mu nsiguro yashikirijwe na Adrien SIBOMANA ku bijanye n'uwo musi wahariwe amasengesho, uwahoze ari Umushikiranganji wa mbere Adrien SIBOMANA yamenyesheje ko amasengesho ya mbere yatanguye mu Burundi yabaye mu mwaka w'1990 ariko ngo ntivyabandanije kubera amakuba Uburundi bwagiye buracamwo. Ngo ayo masengesho yaciye asubira gutanguzwa mu mwaka w' 2006.



Abatanguje rero ayo masengesho ngo bariyumviriye ko borengera ibibatandukanya vyose, biteho ibibahuza bafatiye kuri Yesu Kristo.

Kw'igenekerezo rya 14 munyonyo uyu mwaka wa 2017, hari hatumiwe abavugabutumwa bavuye mu bihugu vy'Ubwongereza, Ubuganda na Leta Zunze Ubumwe za Amerika. Abaje bavuye muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika bari baje bafise ubutumwa bw'umugwi w'Abakenguzamateka bo muri ico gihugu bazaniye Nyakubahwa Umukuru w'Igihugu cacu c'Uburundi. Ubwo butumwa buvuga ko uwo mugwi w'Abakenguzamateka basengeye Uburundi, basengera ubumwe n'ugushobozwa kw'abarundi bashize ku ruhande ivyiyumviro vya politike. Uwo mugwi rero ngo urahura buri ndwi nkuko babikura mu gitabo c'Ibikorwa vy'Intumwa Igice ca kabiri Umurongo wa 42.

Mw'ijambo ry'ikaze Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarashimiye abitavye ubutumire barungikiwe

n'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka vy'Uburundi na cane cane Nyakubahwa Umukuru w'Igihugu c'Uburundi w'Inama Nshingamateka yavuze ko dukwiye gusenga kugira turonke inguvu n'ishaka kugira turondere ihinduka aho tubaye, dushobozwe n'Imana hanyuma Iduhe no kutibagira gushimira iyo Mana nyene ku vyiza idasiba kutugirira.

Afatiye ku nyigisho za Abrahamu aho Imana yamusavye guheba umuryango wiwe w'ababanyi kugira Imuhindure Sekuruza w'abemera, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ati kugira haboneke ihinduka ryiza , ni vyiza ko umuntu aza arumviriza ivyo Imana itubwira hanyuma tugaheba ivyaha.



Yaheraheje asaba Imana ihindure ubuzima bwacu kugira natwe tube intango y'ihinduka ry'abandi. Ayo masengesho rero akaba yasozerewe n'igisabisho ca Musenyeri wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura Evariste NGOYAGOYE.

yemeye guhagararira ayo masengesho . Yaciye abamenyesha kandi ko icatumye bategura ayo masengesho ari kugira abarongozi n'abo baserukira bose abemera bo mu Burundi bahurire mu bumwe n'ubuvukanyi basenge bongere batazire Imana Kibirengeye.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yavuze ko icivugo c'uwo musi gihamagarira abantu kuvavanura n'ukwikekana n'inzigo. Bagakundana, bagahana uburenganzira, umwidegemvyo; bakemera ko habaho ihinduka haba iwacu no kubandi hamwe no mu gihugu cose.

Afatiye kw'ijambo ry'Imana ry'Ibaruwa Intumwa Paul yandikiye Abanyefeso, Umukuru kuko bishikana kw'iterambere rirama bigatuma turwanya ubukene ubushomeri, n'ihindagurika ry'ibihe; ibi rero ngo bihera ku kuvuga ukuri.



Ijambo Nyamukuru ryashikirijwe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu aho nawe nyene yashimikiye kw'ihinduka hamwe n'urukundo. Yavuze ko iyo Imana ihinduye ubuzima bukamera neza ngo ni vyiza ko nawe uca ukora mu guhindura abandi.

Ati ibi ntivyoroshe, ni ugusaba

**Arlette AKIMANA**

## Umukuru w'Inama Nshingamateka yifatanije n'abenegihugu mu kwubaka isoko rya kijambere ry'i Nyamabere.

Ivyo bikorwa rusangi Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yari yateye iteka ari kumwe n'abashingamateka n'abakenguzamateka batowe mu ntara ya Bubanza vyabereye muri zone Musenyi komine Mpanda; bakaba bifadikanije n'abenegihugu mu kwubaka umushinge w'isoko rya Kijambere ry'i Nyamabere kw'igenekerezo rya 4 munyonyo umwaka wa 2017.

Iciyumviro co kwubaka iryo soko cazanywe n'abenegihugu bari mw'Ishirahamwe *«nawe nuze»* ryihaye intumbero yo kubitsa no



kuguranana mu badandaza. Mw'ijambo ry'ikaze, Musitanteri wa Komine Mpanda yamenyesheje ko iryo soko rusangi rizokworohereza abadandaza mu kubika ibidandazwa vyabo kuko bahora basubiza ibidandazwa muhira ku mugoroba imisi yose. Musitanteri wa Komine Mpanda yaciye kandi amenyesha ko abadandaza bamaze gutanga intererano yabo igera ku miliyoni 21 z'amafaranga y'amarundi bagasaba ko boshigikirwa mu ntererano y'ibikoresho canke mu bundi buryo.

Bulamatari Tharcisse NIYONGABO yavuze ko intara ya Bubanza yihaye umugambi wo kwubaka amasoko atanu ya kijambere mu makomine ya Gihanga, Mpanda, Rugazi, Musigati na Bubanza.

Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka nawe nyene yarashikirije ijambo abenegihugu aho yabashimiye kuba batanguje uwo mugambi aca abahimiriza kwitaho iterambere.

Kwubaka amasoko ya kijambere bituma abenegihugu biteza imbere kandi n'ibigega vy'amakomine bikabomboka mu gutanga amakori n'amatagisi. Ngo bituma kandi n'imiriro yama yadutse mu masoko igabanuka. Yaciye atera akamo abenegihugu gukora ibikorwa bibinjiriza amafaranga kandi bitandukanye kugira uwubuze kimwe agikure ahandi. Ivyo rero ngo bashobora kubicisha mu mashirahamwe. Agashimira abenegihugu b'i Nyamabere bo bafashe iyambere muri ivyo bikorwa, aho yatanze akarorero k'abarimyi b'umuceri.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yaragarutse kandi ku kuntu ibikorwa rusangi bitunganijwe mu ntara ya Bubanza. Yavuze ko ibikorwa rusangi bidatunganijwe neza kuko usanga ibikorwa ari bike ababa baje gukora ari benshi, bamwe bagataha ataco bakoze kandi baba bavuye muhira bazi ko baje gukora. Yaciye asaba ababijejwe gusubira kwiyumvira uko botunganya gushasha ibikorwa rusangi. Yaciye yemerera abenegihugu b'i Nyamabere kubaterera amatafari ibihumbi ijana, isima n'ivyuma; imbere yuko ukwezi kwa munyonyo guhera.

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragize ico ashikiriza ku bijanye n'amahoro n'umutekano. Ati amahoro ni karahara mu ruganda ntibacura. Ata mahoro n'umutekano nta terambere rishoboka. Yaciye atera akamo abenegihugu bo kw'ibarabara rya 11 Nyamabere kudoma urutoke kuri uwo wese biketse ko ari inkozi y'ikibi, ivyo bakabikorera mu nyabune. Mu guheraheza, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yabwiye abenegihugu ibijanye



Nyakubahwa Pascal NYABENDA akaba yahanuye n'urwaruka guhindura ingendo; ati biratangaje kubona uwutunze iterefone atagira agakoko yoroye muhira kandi kagwira mu mwanya muto. Umukuru w'Inama Nshingamateka

n'ugukunda igihugu cabo. Ati dutegerezwa gukunda igihugu cacu ciza tugikingire ba sesa nkuyoze. Igihugu c'Uburundi gifise ubutare bwinshi ati bibonekera mu butare bariko barimba mu ntara za Bujumbura na Cibitoke. Ati ubwo butare rero buzotuma haba iterambere ry'abenegihugu kuko no mu bindi bihugu n'uko vyama bigenda.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye asaba abenegihugu kuguma bagavye kuko hari ibihugu bimwe bimwe bishaka gutuma umutekano uhungabana kugira baze kwiba ubutare bw'Uburundi.

Uburundi rero ngo bufise vyinshi bwokwihaya kuko hambavu y'ubwo butare, abarundi bafise umuco umwe, bavuga n'ururimi rumwe.

**Florine MUKESHIMANA**

# Abarongoye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka barakiriye intumwa z'Inama Nshingamateka y'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa.

Ku musi wa mbere igenekerezo rya 20 munyonyo 2017, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA hamwe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka Nyakwubahwa Révérien NDIKURIYO, barakiriye intumwa z'Inama Nshingamateka y'ibihigu bikoresha ururimi rw'igifaransa, APF mu mpfunyapfunyo, zariko zigendera Uburundi. Uwo mubonano ukaba wabereye mu ntara ya Ngozi. Izo ntumwa zikaba zari zije kwirabira ingene ivy'agateka ka zina muntu hamwe n'ivya politike n'umutekano vyifashe mu Burundi, inyuma y'igihe kinini Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zari zimaze zibibasaba. Zikaba zabisavye ahanini ku mvo z'uko inyuma y'akaguma kabaye mu Burundi mu mwaka wa 2015, iyo nama Nshingamateka APF yaciye ifatira ingingo Uburundi, aho yaciye ibushira mu mwihwezo. Inama Nshingamateka hamwe na Nkenguzamateka z'Uburundi zikaba zagumye zisaba ko izo ngingo zokurwaho ku mvo z'uko inyuma y'umwaka w'2015, ibintu



vyagiye mu buryo mu Burundi. Ari naco gituma izo ntumwa zari zije mu Burundi ngo zivyibonere kugira ngo izo ngingo zibone gukurwaho. Izo ntumwa zikaba zari zigizwe na Nyakwubahwa Jacques CHAGNON arongoye iyo Nama Nshinamateka APF, akaba ari Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Quebec, akaba ari nawe yari yaje azirongoye; na Nyakwubahwa Jean Max RAKOTOMAMONJY, arongoye Inama Nshingamateka ya Madagascar, Lydienne EPOUBE, Umushingamateka wo muri Cameroun akaba ari nawe arongoye urunani rw'Abashingamateka b'abakenyezi, Géneviève INAGOSI BULO KASSONGO, Umushingamateka wo muri Republika iharanira Demokarasi ya Kongo hamwe n'abakozi batatu ba APF.

Mw'ijambo ry'ikaze, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarashikirije ukungene ivy'amahoro n'umutekano hamwe n'agateka ka zina muntu vyifashe ubu mu Burundi.

Akaba yarerekanye ko imyiyerekano yabaye wari umugambi warateguwe kuva kera, mbere ukaba wayaciye ukurikirwa no gutembagaza ubutegetsi bwitorewe n'abenegihugu bikaburizwamwo. Ati abarundi barameze magabo bahagararira igihugu cabo n'inzego bitoreye, ati ubu amahoro n'umutekano ni vyose mu gihugu, ingorane zihari zihagaze cane cane ku bihano mu vy'ubutunzi vyafatiwe Uburundi na bamwe bamwe mu bahora

babufasha. Ikindi ngo Uburundi bubabajwe n'ingingo yaheruka gufatwa na Sentare Mpuzamakungu Mpanavyaha yo gutanguza amatohoza ku Burundi. Ati mugabo abarundi baguma bahagarariye ukwikukira n'ubwigenge bw'igihugu cabo. Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyesheje ko ibimaze guhinduka kuva mu mwaka wa 2015 ari vyinshi, abarundi bagera ku 180.000 bari barahunze baramaze gutahuka, abafungwa benshi cane bagiye bararekurwa n'ingingo y'Umukuru w'Igihugu, ati amashirahamwe yigenga agera ku 7300 arakora ku mugaragaro mu gihugu, abamenyeshamakuru barakora icese, amaradiyo 24 arasamirana mu Burundi, amateleviziyo akora




mu Burundi ni 7, ibinyamakuru ni 24, imbuga ngurukanabumenyi zigera kw'i 17 hamwe n'amashirahamwe y'abamenyeshamakuru akora mu Burundi agera ku 12. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yamenyesheje ko ibiganiro bihuza abarundi ariyo nzira yaje kugira itore inyishu ku bibazo vya politike vyadutse mu mwaka wa 2015.

Nayo uwari yaje arongoye izo



ntumwa Nyakwubahwa Jacques CHANON, yarashikirije ibiranga umuryango w'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa na cane cane ugutahurana no kwakira ubudasa bw'abantu. Yaciye amenyesha ko izo ntumwa ziri mu Burundi zigizwe cane cane n'abanyafrika ari nabo vyoroha ko batahura ingorane z'ikindi gihugu ca Afrika. Akaba yamenyesheje ko Inama Nshingamateka y'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa atako itazokora kugira ifashe Uburundi kuva mu ngorane za politike. Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Madagascar nawe nyene yari muri izo ntumwa akaba yamenyesheje ko kubona Uburundi aribwo busaba izo ntumwa kwishikira ku rubuga kwirabira ingene bimeze, vyerekana ishaka rikomeye ry'uko ingingo zabufatiwe zohava. Ati aha twaje nk'abavukanyi, nk'abagenzi, ati turazi ko ukuva burundu mu ngorane za politike bitwara igihe, ati ni mubandanye ku ntambwe mugezeko mu nzira nziza y'ibiganiro bihuza abarundi. Yarongeye ati iyo igihugu gifatiwe ibihano, ivyo bihano biza bihohotera abenegihugu batobato, ati nico gituma ari ngombwa ko ivyo bihano bihava. Uwo mubonano urangiye, Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi akaba yamenyesheje ko yizeye ko izo ntumwa zizoshika zivuga, zongere zitange icegeranyo kivuga ukuri ku vyo ziboneye mu Burundi, ivyo bikazotuma ingingo zafatiwe Uburundi zikurwaho. Mu rugendo barimwo mu Burundi, izo ntumwa zikaba zararonse akaryo ko kubonana n'imigwi itandukanye, aho babonanye cane cane n'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike, abatavuga rumwe na Leta, imigwi itandukanye ya Leta, abarongoye Ekleziya Gatolika n'abandi.

Urwo rugendo rurangiye, izo ntumwa zari zaje mu Burundi zarashikirije itangazo aho zamenyesheje ahanini ko mu nama izokurikira y'abagize ibiro vy'Inama Nshingamateka y'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa izobera i Paris mu Bufaransa mu kwezi kwa 2 umwaka w' 2018, ariho abagize ivyo biro bazoca bihweza ivyerekeye gukuraho izo ngingo zari zafashwe ku Burundi.

**Arlette AKIMANA**



## Kwakira icese amadosiye y'abahiganirwa kuja mu kibanza c'abakomiseri muri CVR

Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka, ku munsi wa gatanu igenekerezo rya 24 munyonyo 2017 niho bashikiriza icese umugwi ujejwe kwiga ama dosiye y'abahiganirwa kuja muri vya bibanza vy'abakomiseri bazoja muri wa mugwi ujejwe ukuri n'ukurekuriranira CVR.

Umuvugizi w'Inama Nshingamateka NDAYIHIMBAZE Alexis Badian yavuze ko uwo mugwi uzotoramwo abashika icenda bakwije ivyangombwa, abo icenda bakazokwerekanwa mu nama Nshingamateka, nayo ikazoca itoramwo batatu bazosubirira aba komiseri batatu bagiye.



Iruhande yo kwihweza ayo ma dosiye yabo, Uwo mugwi washizweho, uzokurikiranira hafi abo bahiganwa ko boba bafise inyifato runtu mu kibano izotuma bashobora kurangura amabanga yabo.

Ivyo vyose bakazobishikiriza imbere y'igenekerezo rya 15 kigarama 2017.

**Pétronie BUCUMI**

## Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakoranije abajejwe intwaro bo mu ntara ya Ruyigi.

Amategeko mperekeza niyo yonyene atuma Ibwirizwa rija mu ngiro. Uyo mwihwezo wavuye mu nama yatunganijwe ku munsi wa gatanu, igenekerezo rya 10 munyonyo 2017 n' Umukuru w'Inama Nshingamateka ku bayobozi bo mu Ruyigi, iyo nama ikaba yabereye ku mugwa mukuru w'intara.

Nkuko bisanzwe, Umukuru w'Inama Nshingamateka yari aryamanye ijambo. Turetse insiguro yashikirije zerekeye ingene urwego rw'Inama Nshingamateka rukora, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarashimikiye ku karere intara ya Ruyigi iherereyemwo. Ati mu gihe intara iri ku rubibe Uburundi buhana na Tanzaniya, abenegihugu boteramira amahoro n'umutekano. Ati ikindi

intara yisangije, ni uko abarongozi ba Ruyigi bamwe bamwe bataye umurongo muri



2015, akagira impungenge ko vyohava bihungabanya abenegihugu. Yamara yarabahumurije yuko iyo Umushingamateka aramutse atorwa, ngo ntaserukira intara yiwe gusa, aserukira ahubwo igihugu cose. Yaboneyeho guhamagarira abavuka ntara kwunga urunani.
Yamenyesheje yuko iyo abavuka ntara bagona rimwe uba ari umushinge w'iterambere ry'intara yabo.
Yabatumiriye kandi gukunda igihugu cabo. Ati birababaje kubona hari Abarundi biririwa baratyoza igihugu cabo. Vyongeye, yaravuniye akagohe bamusitanteri ko gukunda igihugu vyategerezwa kuza imbere y'urukundo umuntu yikunda we nyene.
Aho ni mu gihe abo bayobozi batungwa agatoke ko boba banyonora ca kigega c'imiriyoni 500 babicishije muvyo bita amakomisiyo. Haba namba! Uko niko abo basitanteri bahakanye ivyo baregwa, ahubwo bagata umwikomo ku gisata kijejwe gutanga amasoko kitanyarutsa. Bati turetse yuko ibintu bidindira, ico gisata kijejwe gutanga amasoko nico ntandaro y'ubwo buryo bwama bwabaye impfagusa.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaramenyesheje kandi ko atari ikibazo c'ibiringo vy'Umukuru w'igihugu catumye hasubirwamwo Ibwirizwa Shingiro. Ahubwo ngo intumbero y'iryo hindurwa, ngo ni ukunganisha n'ayandi mabwirizwa yo mu muryango w'ibihugu vyo mu karere ka Afirika y'ubuseruko. Yasozereye ijambo ryiwe yibutsa ko ingingo y' Uburundi yo gukura akarenge muri Sentare Mpuzamakungu Mpanavyaha, CPI mu ncamake;



yagiye mu ngiro kuwa 27 gitugutu 2017. Abakenyezi bo mu ntara ya Ruyigi baranyuzwe n'umugambi wo kuvyara ku rugero. Ariko barababazwa nuko abagabo babo babandanya bavyara abana hanze, n'ikibabaje ngo barabandikisha. Ku mwana umwe, umukenyezi wo mu nzu arihangana, ariko haje uwa kabiri, n'ivyahora bihuha bica bihuhuka, indyane zikaba zitanguye mu muryango.
Bakabaza rero ingene bohasha abo bagabo barenga amategeko.

Vyongeye, isekeza rihimiriza abubatse kwandikwa muri komine ryimurira ingorane ahandi ku bagabo bafise abakenyezi benshi. Iciboneza ngo nuko abagabo bashima akenshi kuragana n'umukenyezi akiri muto, bakibagira ko ari urya mukuru yakoreye urugo. Mbega abo bandi bakenyezi bazoca baba abande? Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yahanuye kwitondera amabwirizwa akora ku migenzo n'imico vy'Abarundi. Ati igikuru ni ukuyaga. Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka, baremeza Amabwirizwa, yamara ngo ayo amategeko mperekeza arafise uruhara runini kugira ayo mabwirizwa aje mu ngiro. Ku rundi ruhande, Umukuru w'Inama Nshingamateka yahanuye abari bitavye iyo nama kurungika urwandiko ruriko umukono w'uwutwara ishirahamwe iri canke ririya mu

Mugwi w'Abashingamateka ujejwe ubutunzi kuko bariko bariga Integuro y'Ibwirizwa rijanye n'amategeko yo gutanga amasoko. Ivyo yabishikirije kubera mu bitabiriye iyo nama, abenshi bashimangiye kuri ico gisata co gutanga amasoko, mu gihe bacagiriza ko arico kizibira umuvuduko w'iterambere.

Mu gihe amategeko avuga ko isoko ryugururwa ku gihugu cose, Inama mpanuzwajambo ya komine yoyo, kuva hashitse bwa buryo bugera ku miriyoni 500, bifuza ko ari abavuka ntara boritsindira. Ayo mategeko kandi arabuza kugura imiti myinshi irenza imiriyoni zitanu, kandi bizwi ko imiti izimvye gose. Mu bisanzwe, amavuriro y'igihugu, akura imiti muri CAMEBU. Ubuyobozi bw'amagara y'abantu mu ntara buza kugurira imiti myinshi ku bikorera utwabo iyo muri CAMEBU atayiriho. Umukuru w'Inama Nshingamateka yasozereye ahumuriza urwaruka rutagira akazi, kandi rufise inzitizi yo kutagira ubumenyi , ivyo bita « expérience ». Ati Ubushikiranganji bujejwe urwaruka bufise umugambi wo gukora rusansuma rwabo, bace babarungika kwimenyereza mu bisata bitandukanye vya Leta. Uwo mwanya bazomara bimenyereza, uzofatwa nk'uko bariko baragira uburambe n'ubumenyi.

**Christine NAHIMANA**

## Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye ibikorwa vy'Inama igira 137 iy'Ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka kw'isi.



Inama igira iya 137 y'ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka yuguruwe icese i Saint Petersburg n'Umukuru w'igihugu c'Uburusiya Vladimir Poutine. Iyo nama ikaba yatanguye igenekerezo rya 14 gushika 18 gitugutu 2017. Ivyo birori vyabaye kandi abaje baserukira Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka bose ariho bari. Mw'ijambo ryashikirijwe n'Umukuru w'igihugu c'Uburusiya yarakeje ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka rikorana cane cane muri iki gihe isi yose ihanganye n'ukugwanya iterabwoba; ukugarukana amahoro nko muri Siriya, n'ugushigikira inzego kugira bose bavuge rumwe. Nyenicubahiro Vladimir Poutine akaba yavuze ko ari vyiza ko ivyo bibazo vyose biganirwako n'Abashingamateka n'Abakenguzamateka kugira ibihugu vyubahe uburenganzira bw'ibindi bihugu hanyuma indyane hagati y'ibihugu zigabanuke. Yamenyesheje kandi ko muri iyo nama igira 137 yizeye ko ibihano vyafatiwe bamwe mu Bashingamateka n'Abakenguzamateka bivaho; ati turizeye ko uruhara rw'Ihuriro ry'Inama Nshingamateka kw'isi ari akaryo ko guhanahana ivyiyumviro ku bibazo bihanze isi n'ingene vyotorerwa umuti. Imigenderanire ifise uruhara ruhambaye hagati yacu, ati kandi

niyo nkingi y'amahoro mw'isi. Umunyamabanga Mukuru w'ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka kw'isi nawe yavuze ko ata gihugu nakimwe gitanga inyigisho ku kindi canke ngo gikumire ikindi; ati dukwiriye gukuraho amajambo aturira. Ati kandi ibihano sivyo bibereye mu ntwaro rusangi. Muri iyo nama igira 137 y'Ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka kw'isi, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yari arongoye intumwa z'Uburundi yarashikirije ijambo ku civugo cari cabakoranije : «Guteza imbere imico kama, amahoro biciye mu biganiro hagati y'amadini n'ubwoko butandukanye». Afatiye kuri ico civugo, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yamenyesheje ko Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka vy'Uburundi vyiyemeje guharanira ubutandukane bw'imico, ururimi, ubwoko n'amadini. Yavuze ko ivyo vyose atahandi biva atari mw'Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi rivuga ko uburenganzira bwa kiremwa muntu butegerezwa kwubahirizwa. Ibwirizwa Shingiro rivuga kandi ko Uburundi ari igihugu cigenga, gishingiye ku madini menshi, intwaro rusangi, ubumwe; kandi ryubahiriza ubutandukane bw'ubwoko n'idini. Umukuru w'Inama Nshingamateka yashimikiye kuvyo biyemeje biva mw'Ibwirizwa Shingiro; ko abenegihugu bategerezwa kwubahiriza uburenganzira bwa kiremwa muntu. Ku bijanye n'igice ca mbere kijanye n'uguteza imbere ubudasa bw'imico kama, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yamenyesheje ko abarundi bavuga ururimi rumwe rw'Ikirundi habonekamwo umuco umwe bigatuma haba amahoro. Ku bijanye n'uguteza imbere amahoro biciye mu biganiro bihuza abanyamadini; Umukuru w'Inama Nshingamateka yavuze ko abarundi basenga Imana imwe, Imana kibirengeye vyose. Ati amashengero yose arahumuriza imitima, yigisha kubana mu mahoro, kubana




nk'abavukanyi, no kubana mu bumwe. Yaciye aboneraho n'akaryo ko kubamenyesha ko mu Burundi hariho Inama Ihuza amadini yose ihurikiyemwo abakuru b'Ishengero rya Gatolika, abisilamu hamwe n'amashengero y'aba pentekoti. Ati ayo mashengero kenshi arahura kugira aganire, yongere abone kumwe ingene bobwira abakurikira ayo madini, bubahe kandi bubahirize ibitabo vyeranda, guhariranira no kwubahana mu butandukane bwabo.

Kuwa gatanu igenekerezo rya 13 gitugutu umwaka wa 2017, intumwa zaserukiye uburundi zaragiye mu nama iraba ivy'akarere kugira barabire hamwe ibijanye n'ibisata bikeneye gusubirizwa n'ababarongoye. Uburundi rero bukaba buri muri Afrika yo hagati bukaba ata gisata na kimwe bwari burongoye; bwaciye butanga uwushobora guhiganirwa ico kibanza akaba ari Umushingamateka Déogratias NDUWIMANA; akaba atagize amahirwe yo guhiganwa kuko atari akwije ibisabwa. Kuw'Imana igenekerezo rya 15 gitugutu umwaka wa 2017, abaserukiye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka baragiye mu nama igira 201. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA ari nawe yari arongoye intumwa z'Uburundi muri iyo nama, yamenyesheje ko ivy'imibano, amahoro n'umutekano vyifashe neza. Ati ntimwitiranye ivyavugwa muri 2015 nuko vyifashe ubu. Yaciye asaba uburongozi bw'Ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka kw'isi kurungika intumwa zabo mu Burundi kugira birabire ubwabo uko vyifashe. Umunyamabanga Mukuru w'Ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka yarashimye ibishikirijwe na Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi aca yemera ko bazoraba uko borungika intumwa zabo mu Burundi.

**Florine MUKESHIMANA**

# Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka baritayeho indero y'urwaruka.

Ukwicisha bugufi vyari bikwiye kuranga umuntu wese, nkuko vyifujwe n'Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka. Umushingamateka Agathon RWASA, akaba yabishikirije ku munsi wa gatandatu, igenekerezo rya 28 gitugutu 2017, mu birori vyo gutanguza icese umwaka wa yubile y'umwaka w'2017-18 kw'ishule ryitiriwe Tereziya Mweranda rimaze, kera rikaba ryari Ishule nderabigisha ry'abigeme, mu ncamake, ENF y'i Gitega.

Kabaye akaryo k'umunezero no gukumburukanya. Uyo munsi wahuje abanyeshure bahize kera n'abahakoze watewe iteka n'abari mu biro vy'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka. Aha twovuga nk'Umushingamateka Agathon RWASA avuga ko yinjiye muri uwo muryango nk'umukwe, mu gihe umufasha wiwe, umupfasoni Annonciate HABERISONI yize kuri iryo shule. Yaboneyeho kandi guha akanya Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Umukenguzamateka Spès-Caritas NJEBARIKANUYE yakoze kuri iryo shule, n'Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA, yahoze yiga kuri iryo shule; kugira baramutse ishengero ryari aho.

Umushingamateka Agathon RWASA mw'ijambo yashikirije yashimikiye ku kwicisha bugufi. Ati ku wutabizi, kwicisha bugufi wogira ngo ni ibisanzwe. Yamara ngo ntibisanzwe na gato, kanatsinda kubura uwo mutima wo kwicisha bugufi ni vyo vyabaye inkwezi y'amarere. Ati iyo ubuzima bukundiye umuntu, ng'uwo aca atangura kwishira hejuru. Yatanze akarorero k'umunyeshule aciye ubwenge aca yishima kuri bagenzi biwe.



Vyongeye, Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yahanuye kworosha ubuzima. Ati ukwemera kurafasha guhangana n'ingorane. Yagereranije mbere ukwihebura n'iterefone ngendanwa , iyo idafise umuriro ataco iba ikimaze. Yamara ngo iwuronse, ica isubira gukora. Ati ni nk' uko ukwemera budufasha, tukarema iyo twihebuye. Kubw'Umushingamateka Agathon RWASA, uyu mwaka wa Yubile, ni akaryo ko kurekuriranira, guheberanira amadeni, naho ideni ry'urukundo ritishurwa. Yaboneyeho kandi gutumirira umwe wese guterera iryo shule. Ku ruhande rwiwe, yemeye ingabire ingana n'ikamyo 5 zuzuye umusenyi.

Ivyo birori vyuguruwe n'inkuka ya misa. Mu nsiguro yiwe, Musenyeri wa Diyoseze nkuru ya Gitega yatanguye gukeza iryo shule ku myaka 50 rimaze riramurira igihugu na Ekleziya. Musenyeri Simon NTAMWANA yarashikirije kandi ko guhitamwo Umweranda Tereziya ngo abe umuvunyi w'ishule bitizanye. Ati uyo mweranda yabona Imana nka Dawe-Rukundo. Ati yifata nk'umwana muto mu migenderanire yiwe n'Imana. Yatahuye kare imigenderanire hagati y'umwigisha n'umwigishwa.

Ku ruhande rwiwe, Umuyobozi w'ishule ryitiriwe Tereziya Mweranda yo ku Mushasha, yarashikirije amamuko y'iryo shule ryashinzwe ku ciyumviro c'umushikiranganji w'imibano yaterereye Umuryango w'ababikira b'abene Tereziya iryo shule ry'imibano. Hari mu mwaka w'1964, nkuko vyasiguwe na Mama Polémie NSAVYIMANA aho yamenyesha ko uwo muryango wahisemwo ahubwo igisata co kwigisha, naririya amashule y'imibano yari asanzwe ariho. Iryo shule ryagiye rihindura amazina uko imyaka yitera, ryuguruye mu 1968 igisata co kwimenyereza, ico bita «cycle préparatoire» mu rurimi rw'igifaransa ku Mushasha, ahabarizwa ubu ishule ryitiriwe

Régina Pacis. Guhera mu mwaka w'1968 gushika mu 1972, Ishule Nderabigisha EMP ryahindutse ENF mu 1972 ryimukiye aho riri gushika ubu. Ryasohoye abigisha ba mbere mu 1976 ; bose hamwe bari 22; 8 muri bo bakaba bari bitabiriye ivyo birori. Guhera mu 1986 kugera mu 1991, iryo shule ryagiye mu minwe y'abatihebeye Imana, rica ryakira n' abahungu mu ndaro. Mu 1991 niho umuryango w'abene Tereziya wasubira ku twabo, rica ryitwa ishule ryitiriwe Tereziya Mweranda ryo ku Mushasha. Iryo shule ubu rifise ibisata 5 (Kwigisha, indimi, Ubuhinga, Imibano, Ubumenyi). Rimaze gusohora abanyeshule bagera ku 3501 no gutsindira ibikombe birenga 30. Ikindi naco, Umuyobozi w'iryo shule ryitiriwe Tereziya Mweranda yarashimiye vy'umwihariko abayobozi babiri ba mbere, ubu bompi bakaba baramaze gushengera. N'abo ni Mama Joséphine NDABEMEYE na Mama Jacqueline AKOBAHEVYE. Ntiyibagiye gukeza ibihugu vy'Ubudagi n'Ubuswise kuko bitanze mugushinga iryo shule. Aba mbere bahereje kuri iryo shule bararyoheje ibirori mu kwikora mu gahogo baririmba ururirimbo ruhayagiza ENF. Ibirori vyasozerewe n'umuhango wo gusangira urukanwa. Uyo mwaka wa Yubile uzososerwa kuwa 12 rusama 2018.

**Christine NAHIMANA**

*Ivyaranguwe n'Icegera ca Kabiri*

## Intara ya Ruyigi irarajwe ishinga no guteza imbere igiterwa c'ikawa.



Ku wa gatandatu igenekerezo rya 25 munyonyo 2017, icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yarifadikanije n'abenegihugu bo muri zone Butaganzwa muri komine Butezi intara ya Ruyigi mu bikorwa vyo gutera imivyaro y'ikawa ku mutumba wa Gakombe.

Mw'jambo ryiwe umuhanuzi mukuru wa bulamatari yarahaye ikaze abari aho amenyesha ko amahoro n'umutekano birangwa muri iyo ntara ya Ruyigi; yongera ashikiriza ko ata vyera ngo de kuko hari imishwano ihora ivyuka hagati y'abapfa amatongo mu turere tumwe tumwe tw'intara.Mw'ijambo ryiwe icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragarutse ku kamaro ko kurima ikawa agahamagarira abanya Butezi kurima ico giterwa, kuko ari gishasha muri iyo komine ya Butezi. Yaravuze kandi ku bijanye n'umutekano aca asaba abenegihugu bo muri Butezi kubumbatira amahoro n'umutekano kuko nivyo mushinge w'iterambere. Yarateye akamo abahunze ngo batahuke kuko amahoro n'umutekano bikwiye mu gihugu cose. Yaheraheje ijambo ryiwe abahamagarira kwitwararika ibikorwa kugira ngo igihugu gitere imbere. Yaranabasavye kubungabunga no kwitwararika iyo mirima y'ikawa.

Inyuma yico gikorwa Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yaciye agenda gushikiriza imfashanyo imiryango ya ntahonikora yo muri komine ya Butezi akaba yabahaye umuceri, nayo amashirahamwe yaho nyene ahabwa amasuka. Twobamenyesha ko imivyaro ibihumbi umunani n'amajana indwi ariyo yateguwe kuzoterwa muri iyo komine ya Butezi.

**J Baptiste Claude NIJIMBERE**

# Umukuru wa Sentare ikingira amatungo ya Leta yarashikirije icegeranyo c'uburyo Leta izokoresha mu mwaka wa 2018.

Amafaranga y'amarundi agera ku miriyaridi 7 n'imiriyoni 557



n'ibihumbi 560 (7.557.560.000 FBU), niyo ategekanijwe kwinjizwa mu kigega ca Leta mu mwaka wa 2018 n'ikigo gishasha kijejwe gutunganya ubutare n'agataka, nk'uko vyashikirijwe n'Umukuru wa Sentare ikingira amatungo ya Leta. Elysée NDAYE yari aramutse ashikiriza icegeranyo c'uburyo Leta izokoresha mu mwaka wa 2018 mu nama ya bose yo ku munsi wa gatatu, igenekerezo rya 29 munyonyo 2017.

Naho iyo Sentare yasavye ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Leta guha umuco Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka ingene ayo mafaranga aharurwa, yarateye intege Leta ko yosubiza ku rutonde ibisata vyinjije bimwe biboneka amafaranga mu gihugu mu mwaka uheze wa 2017. Yaciye avuga ko amatagisi ku binyobwa bitambiye azoduzwa no ku mazi badandaza ari mu macupa, itagisi ku bitoro, itagisi ku miduga ishaje irenza imyaka 10, amakori ku nyubakwa zikoteshejwe n'itagisi ringana n'igice c'igiciro cashinzwe m'ubuyobozi bwa duwane ku ma sashe yinjizwa mu gihugu. Muri rusangi, uburyo Leta itegekanya gukoresha mu mwaka wa 2018 bugera ku miriyaridi 1.224 n'imiriyoni 125 n'ibihumbi 399 n'amafaranga y'amarundi 430 (1 224 125 399 430 FBU) mu gihe mu 2017 ubwo buryo bwangana n'imiriyaridi 1.152 n'imiriyoni 765 n'ibihumbi 657 n'amafaranga y'amarundi 245 (1 152 765 657 245 FBU). Ubwo buryo bwiyongereyeko rero amafaranga agera ku miriyaridi 71 n'imiriyoni 359 n'ibihumbi 742 n'amafaranga y'amarundi 185 (71 359 742 185 FBU); ni ukuvuga urugero rwa 62 kw'100. Yashikirije muri uwo mwihwezo ingene uburyo bwakoreshejwe gushika mu mpera za nyakanga 2017, werekana ko ubushikiranganji bumwe bumwe bwasavye ingurane , ivyo bigasigura ko uburyo baronse butari bukwiye. Abashingamateka baripfuje kumenya niba Umukuru wa sentare icungera amatungo ya Leta n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Leta bicarana imbere yo gusohora uyo mwihwezo.

Kubwa Elysée NDAYE, uyo mushikiranganji araronka ico cegeranyo, ngo kanatsinda, ibiri muri co, iba vyavuye mu nteguro y'ibwirizwa rigenga uburyo Leta izokoresha mu mwaka uza, iyo nteguro nayo ibikura mu bushikiranganji bujejwe ikigega ca Leta no mu kigo ca OBR. Vyongeye, ngo ntiyorinda kurindira ico uyo mushikiranganji avuze kugira abe hafi Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka, mu gihe iyo sentare isanzwe ikukira izo nzego.

**Christine NAHIMANA**

# Ihinyanyurwa n'iyemezwa ry'integuro y'ibwirizwa rihindura itunganywa ry'amabohero.

Ryatowe ku majwi 100 kw'100, iyo nteguro y'ibwirizwa rihindura itunganywa ry'amabohero niyo yari ku rutonde rw'inama ya bose yo ku munsi wa kabiri, igenekerezo rya 31 gitugutu 2017.

Kunganisha ibwirizwa rigenga amabohero n'ayandi mategeko agenga ico gisata, iyo niyo ntumbero nyamukuru y'ihindurwa ry' ibwirizwa, nk'uko vyashikirijwe, mu mvo n'imvano, n' Umushikiranganji w'Ubutungane. Aimée-Laurentine KANYANA yatanze akarorero k'ingingo zerekeye igihano co gupfa cakuweho muri rino bwirizwa, igihano

c'ugupfungwa iminsi myinshi categekanya imyaka 20 mugabo ubu yungururijwe kuri 30, ahahora hakorera abaforoma hagiye guhindurwa amavuriro.

Iruhande y'ivyo, iyo ntumwa ya Leta yabandanije imenyesha ko hari n'izindi ngingo nshasha zibonekeza muri iyo nteguro y'ibwirizwa, nk'ingingo ijanye n'icigwa ry'ikigo co kugarukira abana bakora ivyaha kandi batarakwiza imyaka yo gufungwa, yamara Abashingamateka baragaragaje impungenge ku bijanye n'ishirwa mu ngiro z'ingingo nshasha ziri muri iyo nteguro y'ibwirizwa.

Kubw'Umushikiranganji, ngo bari bakwiye gushira amazinda ariho, mu gihe iyo nteguro y'ibwirizwa ije gukura inzitizi zijanye n'uburyo bw'amafaranga. Ati ni nk'urufunguruzo ruzotuma dushikira abafasha.



Mu gihe vyibonekeza ko kenshi abanyororo bafunguwe, baca basubira gukora ivyaha bibasubiza mu mabohero. Abashingamateka babasabiye kubatekerera iyo basubijwe mu buzima busanzwe.

Umushikiranganji Aimée-Laurentine KANYANA yariyamirije iyo ntererano, aca ahitamwo ahubwo ingendo yo kubaherekeza kugira basubire kubana n'abandi. Ati ni no muri iyo ntumbero bigira mu mabohero imyuga itandukanye nko gushona no kubaza.

Vyongeye, iyo Ntumwa ya Leta yahamagariye abarundi guhindura ingendo. Agasaba ko boshengeza umushikirizamanza wese yadindije idosiye n'ibigirankana canke asaba igiturire. Impera n'imperuka, Umugwi ujejwe intwaro ibereye n'ugushira amashirahamwe ya Leta mu minwe y'abikorera utwabo, basavye ubushikiranganji bujejwe amabohero, kugwiza igitigiri c'abacungera abanyororo n'igitigiri c' abapolisi mu kwisunga ibitsina.

**Christine NAHIMANA**

## Iyigwa n'iyemezwa ry'integuro y'ibwirizwa rihindura itegeko N°1/05 yo kuwa 22 ndamukiza 2009 rijanye n'ihindurwa ry'itegeko mpanavyaha.

Ibikorwa vy'amaboko vy'inyungu rusangi nivyo vyoshigwaho mu gusubirira igifungo. Ivyo bikaba vyerekeye kubwumwihariko abana bakiri bato n'imiyabaga yiyerereza. Ivyo ni bimwe mu bigiye guhinduka mw'itegeko mpanavyaha. Nkuko umushikiranganji w'ubutungane yabishikirije mu mvo n'imvano y'iryo bwirizwa, aho hakaba hari mu nama ya bose yo kuwa mbere igenekerezo rya 30 gitugutu 2017 yari igenewe kwiga no kwemeza integuro y'itegeko ijanye n'ihindurwa ry'itegeko N°1/05 ryo kuwa 22 ndamukiza 2009, ry'itegeko mpanavyaha; rikaba ryatowe na bose. Ugucura abantu bufuni na buhoro, ubusuma bwo mu mirima, ukutariha ideni, gukora no kunywa inzoga zitemewe n'amategeko, gusabiriza no kwiyerereza; navyo nyene bigiye kuba akabirya kagiye muri iryo tegeko nk'uko vyavuzwe na Aimée Laurentine KANYANA. Umurwi wamaho w'ubutungane ari nawo wari wahawe iyo nteguro y'ibwirizwa warabajije umushikiranganji ko yoba yaramaze gutora ubwoko bw'ibikorwa bizohabwa abafungwa bakuze n'abakiri abana. Umushikiranganji yishuye ko bakurikije ingingo ya 306 y'ibwirizwa mpanavyaha. Umukuru w'Igihugu yashize igikumu kw'itegeko n°100/151

hari igenekerezo rya 13 mukakaro 2013, ryerekeye uko ibikorwa vy'inyungu rusangi bitegekanijwe, mu kigabane ca 27 cerekana ibikorwa bitegerezwa gukorwa n'abafungwa. Rikaba rivuga uku : Ibikorwa vy'inyungu rusangi bigizwe nibi bikurikira :

1. Ibikorwa vy'iminwe vyo gukora n'ibindi bikorwa vyo gutunganya ahantu, gutera ibiti no kwubaka ;

2. Gukora akazi, ibikorwa vy'ubwenge nko kwigisha gusoma no kwandika hamwe n'ukwigisha imyuga ;

3. Umutimawo gushigikirana nko kuja kuraba abarwayi mu bitaro no gufasha abageze mu za bukuru, gufasha imfuvyi ziri mu bigo vyabigenewe.

4. Ibikorwa vy'iterambere rusangi nko kwubaka ibiro vyo gukoreramwo, ibitaro, amashule, kwubaka amabarabara y'amabuye, gusibura imiserege yo mu bisagara binini, gutunganya ibidukikije mukwubaka amasoko y'amazi meza;

5. Ibikorwa ivyo arivyo vyose bishoboka; hisunzwe imyaka y'umufungwa nuko ameze. Abashingamateka barashikirije amakenga ko hatazobaho gukoresha itegeko kabiri nkiyo abacamanza bakoze nkuko bavyumva, bagakoresha igitabu mpanavyaha canke itegeko n°1/13 ryo kuwa 22 nyakanga 2016 rijanye no gukinga no gukingira abagize ingorane no guhana ihohoterwa rifatiye ku gitsina. Uwaserukiye Leta yarabasobanuriye ati:



ibwirizwa n°1/13 ryo kuwa 22 nyakanga 2016 rijanye no gukinga no gukingira abagize ingorane no guhana ihohoterwa rifatiye ku gitsina; ryatowe kugirango ryuzuze neza itegeko mpanavyaha. Umushikiranganji yavuze ko nimba hariho abacamanza canke abashikiriza manza bakoresha ibwirizwa mpanavyaha kugira ngo bahane abakoze ihohoterwa rijanye n'igitsina ngo boba babikora mu kutamenya; aca yemerera abashingamateka ko bagiye gukoresha amahugurwa y'abacamanza n'abashikirizamanza. Yamenyesheje ko agiye gushiramwo amategeko adasanzwe mw'itegeko mpanavyaha nkuko vyabaye mw'itegeko rigwanya igiturire. Abashingamateka barabajije ku bijanye no gukorora inda biri muri iryo tegeko; bati n'ukurenganya umukobwa kuko iryo tegeko rihana umukobwa gusa ariko umuhungu aba yayimuteye wewe aguma yidegemvya ataco yinona. Bati mbega nta kuntu bobahana bose uko ari babiri. Aime Laurentine KANYANA yishuye avuga ati oya; ahubwo abo bakobwa bokwirinda izo nda bakiri bato. Nayo kuvyerekeye abasabiriza, ngo ibibatuma biri ubwoko bwinshi ngo ni naco gituma bazokwiga umwe ku wundi yoba yihaye gusabiriza.

**Christine NAHIMANA**


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**
**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**
**Florine MUKESHIMANA**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**
**Richard NDAYISENGA**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**

**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07